Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 68
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI




Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi
Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°781 15 Kigarama 2022

## Nyenubweranda Papa Fransisko ati: «Yezu Kristu yarigize umworo kubwanyu» ( 2 Co 8,9) (Ibikurikira)

*Mw'Ijambo Nyenubweranda Papa Francisco yashikirije ku musi mpuzamakungu wahariwe aboro, kw'igenekerezo rya 13 Munyonyo 2022 idominika ya 33 umwaka C, yaribukije abakristu bo kw'isi yose ko «Yezu kristu (...) yigize umworo kubwanyu (2 co 8,9). Nkuko twabibasqhikirije mu nomero iheruka. Abandanya avuga ati:*

Ico tubwirizwa kumenya ni uko ugufasha aboro atari ukugumiza mu ngendo yo gutega amashi nk'uko ahenshi babikora; ahubwo ni ukwiyemeza ko ata muntu yoturana ico akeneye.

Si ibikorwa bica mu kwirukanga bikiza, ariko ukwiyemeza kuvuye ku mutima w'urukundo utuma twegera umworo nk' umuvukanyi ateze iminwe, ankura mu nyifato yo kuba sindabibazwa narimwo. Nico gituma « ata muntu yokwubahuka kuvuga ko ari kure y'aboro kuko uguhitamwo ibindi bigize ubuzima bwiwe bimushikana kwitwararika n'ibindi.

Soma ku Rup. 3



Abakozi ba Ndongozi
Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA
Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI
Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA
Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Mu myaka 124 iheze Inkuru nziza itanguye kumenyeshwa mu Burundi, ivyamwa bingana iki? (Ibikurikira)

**Diyoseze ya Bujumbura yavutse ryari?**

Ku wa 18 mukakaro 1959, niho havuka intara nshasha y'ubutumwa ya Bujumbura irongorwa n'Umwungere wa mbere w'umurundi, Musenyeri Michel Ntuyahaga.

Ku wa 10 munyonyo 1959, niho Uburundi bwaba intara y'ubutumwe bw'Ekleziya (Province Ecclésiastique) igizwe n'amadiyoseze, umugwa mukuru ukaba i Gitega.

Musenyeri Michel Ntuyahaga yarongoye diyoseze ya Bujumbura gushika igenekerezo rya 14 Munyonyo 1988 kuko yari ashikanye imyaka yo gukukuruka. Yaciye asubirirwa na Musenyeri Simoni Ntamwana, kuva kuwa 5 ruhuhuma 1989 gushika kuwa 8 ruhuhuma 1997, aho yagenwa kuba Musenyeri mukuru wa Diyoseze nkuru ya Gitega.

Yasubiriwe na Musenyeri Evariste Ngoyagoye (avuye kuyobora Diyoseze ya Bubanza) kuva kuwa 30 ndamukiza 1997 gushika ageze gukukuruka muri Ntwarante 2018.

Kuwa 25 Munyonyo 2006, niho Nyenubweranda yashinga ko Diyoseze Bujumbura ibaye Diyoseze Nkuru, Intara y'Ubutumwa (Archidiocèse), igizwe n'amadiyoseze ya Bubanza, Bujumbura na Bururi.

Musenyeri Evariste Ngoyagoye yasubiriwe na

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Diyoseze ya Rutana yavutse ryari?....4
o Ihimbazwa ry'imyaka 60 umuryango w'Abakrarisi ushitse mu Burundi.....6
o Imyaka 25 irarumanye mu Burundi hatanguye ubutumwa bwa Bikira Mariya agendera ingo....7
o Kurwanya amabi afatiye ku gitsina ni igikorwa c'umurundi wese....9

# Idominika ya 4, Ubushikiro: Umwaka A

## IMBURI

**Igisoma ca mbere :** Izaya : 2,1 – 5

*Mu gisomwa ca mbere, twumva Umukama atuma Umuhanuzi Izaya ngo abwire Umwami Akazi asabe ikimenyetso kivuye mw'ijuru. Akazi aranka ngo kuko yanka kugerageza Umukama Imana. Yamara rero, Umukama wenyene azotanga ikimenyetso : «Umwigeme aribungenze, azokwibaruka umwana w'umuhungu, amwite Emmanueli.*

**Igisomwa ca kabiri :** Abanyaroma: 1,1 – 7

*Mu gisomwa ca kabiri, Paulo mweranda aratwibutsa ko yasobanuwe mu bandi ngo atumenyeshe Inkuru nziza y'Imana yerekeye Umwana w'Imana yavutse mu muryango wa Dawudi kubw'umubiri, hanyuma arimikwa aba Umwana w'Imana ku bubasha bwa Mutima.*

**Inkuru nziza ya Matayo :** Matayo: 1,18– 24

*Mu Nkuru nziza, twumva batuyagira ivyerekeye ivuka rya Yezu. Mariya azokwibungenga imbanyi ku bubasha bwa Mutima Mweranda; azovyara umwana w'umuhungu, izina bazomwita ni Yezu, kuko ari we azokiza ibicumuro igihugu ciwe."*

## IBISOMWA

### Igisomwa ca mbere: *Izaya : 2,1 – 5*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaya :

(*Umwigeme azokwibungenga)*

Muri irya minsi, Umukama yasubiriye kubwira Akazi ati : « Saba Umukama Imana yawe akurungikire ikimenyetso kivuye hasi mukuzimu canke hejuru mu kirere. » Akazi amwishura ati : « Haba namba, sinoshobora kugerageza Umukama. » Niho Izaya yavuga ati : « Ntimurarambirwa n'ukuruhisha abantu, none mushaka kuruhisha Imana yanje ! Umukama rero we nyene ubwiwe, niwe azokwihera ikimenyetso : Umwigeme aribungenze, azokwibaruka umwana w'umuhungu, amwite Emmanueli. »

### Igisomwa ca kabiri : *Abanyaroma: 1,1 – 7*

Ivyo dusoma mw'ikete Umutumwa Paulo yandikiye Abanyaroma :

(*Yezu Kristu yavutse mu muryango wa Dawudi, akaba ari we Mwana w'Imana*)

Jewe Paulo, umusuku wa Yezu Kristu naratorewe ubutumwa, nsobanurwa mu bandi ngo menyeshe Inkuru nziza y'Imana. Iyo Nkuru nziza yerekeye Umwana wayo yavutse mu muryango wa Dawudi kubw'umubiri, hanyuma arimikwa aba umwana w'Imana ku bubasha bwa Mutima w'ubweranda kubera izuka ryiwe mu bapfuye. Niwe Yezu Kristu Umukama wacu, we yaduteye iteka akadutuma kwigisha, kw'izina ryiwe, abapagani bose, ngo bamuyoboke, bamwemere. Na mwebwe mwahamagawe na Yezu Kristu, muri abo twatumweko.

None mwese batoni b'Imana muri i Roma, mwebwe mwahamagariwe kuba beranda, mbifurije urukundo n'amahoro y'Imana, ari yo Dawe wa twese, n'Umukama Yezu Kristu.

## Inkuru nziza : Matayo: 1,18– 24

Alleluya, Alleluya.

Umwigeme azokwibungenga yibaruke umuhungu, bamwita Emmanueli, n'ukuvuga « Imana turi kumwe».

Alleluya.

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo:

(*Yezu azokwibarukwa na Mariya, umukunzi wa Yozefu wo mu muryango wa Dawudi.*)

Ng'ivyo ivy'ivuka rya Yezu Kristu uko vyagenze. Mariya, nyina wiwe, yari yasabwe na Yozefu; ariko imbere yuko babana, yari yasamye imbanyi kubwa Mutima Mweranda. Uyo mugabo wiwe Yozefu yari umuntu w'ingingo, kandi ntiyashaka kumwararaza; niko kwigira inama y'ukumuhebera mu mpisho. Amaze kuvyiyumvira, intumwa y'Umukama iramubonekera ari mu ndoto, imubwira iti: " Yozefu mwene Dawudi, ntutinye kubana na Mariya, umukenyezi wawe: iyo mbanyi afise yamutse kuri Mutima Mweranda; azokwibaruka umwana w'umuhungu, izina uzomwita ni Yezu, kuko ari we azokiza ibicumuro igihugu ciwe."

Ivyo vyose vyabaye ngo ijambo ry'Umukama ryari ryaravuzwe n'umuhanuzi ritahe, ngo : "Umwigeme azosama imbanyi ayibarukemwo umuhungu, bazomwita Emmanueli, n'ukuvuga Imana turi kumwe."

Yikanguye, Yozefu akora ico Umumarayika w'Umukama yari yamutegetse, ajana iwe umukenyezi wiwe.

# Nyenubweranda Papa Fransisko ati: «Yezu Kristu yarigize umworo kubwanyu» (2 Co 8,9) *(Ibikurikira)*

*(Bitangurira ku rup.1)*

Ivyo bikunda gushika cane cane mu bari mu mashu-re, mu mashi-rahamwe canke mu buzi ubwo aribwo bwo-se, mbere no mu nzego z'amashirahamwe nyene y'Ekleziya […]. Nta mun-tu yoshobora kwi-gira sin-dabibazwa mu gi-korwa co kwitwararika aboro n'ugutsimbataza ubu-tungane mu mibano» (Exhort.ap. Evangelii ga-udium, n. 201).

Birihutirwa gutora intu-mbero nshasha irengeye iringanizwa ry'ibikorwa n'imigambi yo gufasha aboro batabagishije inama, kenshi idatumbe-ra abo boro, canke naho ngo babashire mu nte-guro y' imigambi ihuza aba-ntu bose (Fratelli tu-tti, n.169).

Ahubwo nyabuna ni u-gufata ingendo y'umu-tumwa Paulo yandikiye Ekleziya y'i Korenti : «Erega abandi ntibotora mitende namwe ngo mu-gwe mu bukene ; ariko ikibwirizwa ni ukunga-na » (2 co 8,13).

8. Hariho ibintu bigoye kwemera, uno musi nko muri kahise, kuko biti-njira neza mu bwenge bwa muntu : hari ubworo bushobora kuvyara itu-nga.

Mu kwibutsa inema ya Yezu Kristu, Paulo as-haka gushimangira ico wenyene yigishije ko ubutunzi nyabwo atari ukurundarunda amatu-ngo kw'isi aho umuswa n'ingese biyayogeza, aho ibisuma bimena kandi bikiba» (Mt 6, 19), ariko riri mu rukundo magi-riranire rufasha gutwa-zanya imitwaro, kugira ngo ntihagire n'umuntu n'umwe aba ruhebwa canke ngo akumirwe.

Amagara make n'intege nke twabayemwo muri iyi myaka iheze, ubu naho tukaba turi mu ma-gorwa y'indwano n'inga-ruka mbi zayo zikwira isi yose, birategerezwa ku-twigisha ikintu shimikiro : ntituri kw'isi kugira ngo twibereho gusa, ariko tu-hari kugira umwe wese aronke ubuzima bw'iteka kandi buhimbaye.

Inyigisho ya Yezu ira-twereka inzira kandi ikadufasha kubona ko hariho ubworo butetere-za kandi bwica, ariko ko hariho kandi n'ubundi bworo, nka bumwe bwa Yezu nyene bubohora kandi butuma umuntu yiyumva agatekana ku mutima.

Ubworo bwica, ni ama-rushwa avuye ku karen-ganyo, gafatiye kukugira umuntu igikoresho, ku midurumbanyo, no mu kudasabikanya mu bu-tungane itunga rusangi.

Ni ubworo bushingiye ku kwihebura, ata kazo-za ubona imbere kubera bushimikiye ku mico yo kugira umuntu intabwa atababona iyo ava niyo aja.

Ni amarushwa atuma umuntu aba ntahonikora birenze urugero, gushika vyonone umutima wiwe, naho kenshi tuvyirenga-giza birabaho.

Iyo rero intumbero y'u-buzima ibaye gusa iyo kwironderera inyungu, nta kibuza ko umuntu acika igikoresho c'aban-di. Agahembo kabereye, amasaha y'akazi ntibiba bikibayeho ; hagaca ha-vuka ubwoko bushasha bugira abaja abantu ba-tagira ayandi masagani-rizo, bakabwirizwa kwe-mera ako karenganyo kabishe kugira bashobo-re kuronka n'utwo duke dutuma baba baramaze kabiri.

Ubworo bubohora na-bwo, ni burya buza im-bere yacu nk'uguhitam-wo ku gushaka kwawe bikagufasha kwihatira ku kintu nyamukuru nkene-rwa wahisemwo.

Mu vyukuri, urumva ko hari ico ubura, abantu bagategera ko hari igiko-meye babura, bagenda barondera batabona iyo baja. Baguma bipfuza icobamara inyota, bara-keneye rero ko hagira umuntu abarangira aha-ri abantu batobato, aban-tu ba ntantege, aboro ku-gira bashobore gutahura ico bakeneye vyukuri.

Guhura n'aboro biratu-ma umuntu avavanura n'umubabaro mwinshi hamwe n'ubwoba yari afise ataho bufatiye, bi-gatuma ashikira ikintu ngombwa mu buzima kandi atamuntu ashobo-ra kumukurako: urukun-do rw'ukuri kandi ruta-rondera akunguko.

Mu vy'ukuri, aboro, imbere yuko baba abo duhamaga-riwe gufasha kubafasha, ni abantu badufasha kwi-bohora imigozi y'ibiduha-garika umutima no kuba abantu b'akazuyazi.

Umusaserdoti akaba n'umwigisha w'Ekle-ziya, Yohani krizostome mweranda, mu nyandiko ziwe ariyamiriza ashi-mitse inyifato itabereye abakristu berekana im-bere y'aboro . Yandika ati « Ni mwaba mutemera ko abworo buvyara itunga, ibuka Umwigisha Muku-ru wanyu, ntimuzosubi-ra gukekereza. Kuko iyo atigira umworo ntimwari kuba abatunzi.

Igitangaje mugabo, ko ubworo bwongereza itunga! N'aha dutegera ijambo « itunga » Paulo avuga ko ari ubumenyi mu vy'ukwemera, gutyo-rorwa ibicumuro vyacu, ubutungane, ugutaga-tifuzwa n'ibindi vyiza vyinshi Imana yaduhaye » (Homélies sur la deuxiè-me lettre aux corintiers, 17, 1).

9. Ibaruwa fatiro ry'umu-tumwa Paulo kuri uyu musi mpuzamakungu ugira gatandatu w'aboro rirerekana ikinyegezwa kiri mu buzima bw'ukwe-mera : ubworo bwa Kris-tu buradutungisha.

Niba Paulo yarashoboye gutanga iyo nyigisho, Ekleziya nayo ikayisami-riza hama ikayigisha uko imyaka yagiye irakuriki-rana, niho twotegerera Imana, mu Mwana wayo Yezu, yahisemwo yonge-ra akurikirana iyo nzira.

*Ibikur. urup. 5*

# Mu myaka 124 iheze Inkuru nziza itanguye kumenyeshwa mu Burundi, ivyamwa bingana iki?

*(Bitangurira ku rup.1)*

Musenyeri Gervais Banshimiyubusa kuva muri Ntwarante 2018.

***Muti diyozeze nkuru ya Bujumbura imaze kuvyara amaparuwase angahe ?***

**Amaparuwase amaze kuvuka ni 38. Nayo ni:**

Paruwase Buhonga yitiriwe Bikira Mariya Uwutatyoye ikaba yavutse 8 Kigarama 1902; Paruwase ya Bukeye yitiriwe Edouardo mweranda: 1927; Paruwase Mikaeli Mweranda y'i Bujumbura yitiriwe Mikaeli mweranda): 1931; Paruwase Rushubi (Saint Francois Xavier): 1935; Paruwase Kiganda ( Abatumwa Petero na Paulo beranda): 1940; Paruwase Mutumba (Coeur Immaculée de Marie): 1945; Paruwase Ijenda (Aloys Mweranda): 1946; Muramvya (Sainte Mère du bon conseil): 1955.

Paruwase Ngagara yitiriwe Yosefu Mweranda: 1955; Paruwase Munanira (saint Michel Archange ): 1956; Cathédrale Regina Mundi y'i Bujumbura yavutse mu 1958; Paruwase Mubimbi (saint tereze de l'enfant Jésus): 1961; Paruwase Kivoga ( saint Pierre Claver): 1963; Kinama (Umuryango mweranda) : 1965; Paruwase Karinzi (abatuma Petero na Paulo) : 1967; Matara yitiriwe Raphaeli mweranda): 1968.

Paruwase Buyenzi yitiriwe Umweranda Augustino 1969; Ryarusera (Saint Jean Baptiste); 1972;Nyakabiga (Mukiza mweranda):1985;Bukwavu yitiriwe Mariya Nyina w'Imana: 1987; Mayuyu (Marie Auxiliatrice) : 1987; Magara (saint Joseph): 1992; 1987; Kamenge (Saint guido Maria Monforti) 1995; Kinindo (Regina Pacis) : 1996; Mutanga sud (Esprit de Sagesse): 1996; Musaga (Sainte Anne): 2003;

Paruwase Gihosha yitiriwe Umweranda Yohani Baptista: 2007; Kanyosha (Muvyeyi w'Ikigongwe): 2008; Gatumba yitiriwe Fransisco Xavier mweranda 2009; Buterere yitiriwe Yohani Paulo wa II mweranda: 2016; Buziracanda yitiriwe Yohani wa 23: 2017; Rugazi (saint Paul): 2017; Ruziba (Sainte Mère Tereza de Calcutta); 2017.

Paruwase Gasura y'i Bujumbura yitiriwe Abamaratiri b'i Buganda yavutse mu 2019; Rutongo (Saint JMarie Vianney): 2019; Paruwase Kivoga-Tenga ( Saint Francois d'Assise) : 2020; Paruwase ya Maramvya i Bujumbura yitiriwe Umushaha mweranada wa Yezu (Sacré coeur de Jésus): 2020; Kabezi (Saint Jean Chrysostome) : 2021; Paruwase Muberure (Saint Pierre apotre): 2021.

**Abasaserdoti bo ni banagana iki ?**

Abasaserdoti bakukira Diyoseze Nkuru ya Bujumbura kandi b'imvukira bakarangurira ubutumwa muri Diyoseze, ni 129.

Abakukira Diyoseze ariko barangurira ubutumwa mu yandi madiyoseze mu gihugu 1. Abasaserdoti bari ku mashure canke bari mu butumwa hanze mu makungu ni 28. Bose hamwe, Diyoseze ya Ngozi ifise abasaserdoti b'imvukira 158.


***Patiri Noël Ntirandekura***

# Diyoseze ya Rutana yavutse ryari?

Diyoseze ya Rutana yavutse igenekerezo rya 17 Nzero 2009, ica ishingwa Musenyeri Bonaventure Nahimana, ayirongora gushika muri Ruhuhuma 2022.

Uyo mwaka niho yagenwa na Nyenubweranda Papa Fransisko ngo abe Umwepiskopi mukuru wa Diyoseze nkuru ya Gitega, ariko akabandanya ahagarariye Papa mu kurindira ko hagenwa uwundi.

**Muti diyozeze Rutana imaze kuvyara amaparuwase angahe ?**



**Amaparuwase amaze kuvuka ni aya:**

Paruwase Mpinga yitiriwe Umugabekazi w'Irozari (Notre Dame du Rosaire) yavutse mu 1945; Paruwase Rutana yitiriwe Yozefu mweranda : 1965 ; Musongati (Reine des Apotres) : 1974 ; Kiguhu (Umuryango Mweranda ) : 1978 ; Giharo (Saint Joseph) : 1990 ; Gakome (Sainte Thérèse de l'Enfant Jésus) : 1996; Shanga yitiriwe Tereza w'Umwana Yezu : 1996; Gihofi (Saint Etienne) : 2000 .

Paruwase ya Kayogoro (Saint Joseph) : 2000 ; Kivoga (saint damas) : 2004 ; Muhweza (Saint Savin) : 2004 ; Kabingo (Jésus Miséricordieux) 2012 ; Bukemba Saint Jean Baptiste) : 2017; Gitanga (Saint Paul: 2018; Nyantakara (Saint Louis Marie de Monfort): 2019; Kayove (Saint Tharcisse): 2020;

**Abasaserdoti bo ni banagana iki ?**

Abasaserdoti bakukira Diyoseze ya Rutana bakarangurira ubutumwa muri Diyoseze, ni 42. Abakukira Diyoseze a-riko barangurira ubutumwa mu yandi madiyoseze mu gihugu 3. Abasaserdoti bari ku mashure canke bari mu butumwa hanze mu makungu ni 9. Bose hamwe, Diyoseze ya Ruyigi ifise abasaserdoti b'imvukira 54.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Nyenubweranda Papa Fransisko ati: «Yezu Kristu yarigize umworo kubwanyu» (2 Co 8,9) *(Ibikurikira)*

*(Bitangurira ku rup.3*




Niba yarigize umworo kubwacu, ubuzima bwacu bwaramurikiwe bwongera burahinduka, buronka kandi agaciro isi itazi kandi idashobora gutanga.

Itunga rya Yezu ni urukundo rwiwe rwugururiwe bose, rwakira bose rudacagura cane cane abo bose bitwa intabwa batagira ikibafasha .

- Kubw'urukundo, yigize ubusa afata kamere y'abantu.

- Ku bw'urukundo yaragamburutse gushika apfe kandi urupfu rwo ku musalaba (Ph 2, 6-8).

Kubw'urukundo yarihinduye « umukate w'ubuzima» (Jn 6, 35), kugira ntihagire umuntu numwe abura ico akeneye ariko aronke imfungurwa y'ubuzima budahera.

Hanyuma no muri iki gihe, biraboneka ko bigoye kwakira iyo nyigisho nk'uko vyagendeye abigishwa ba Yezu(Jn 6, 60) ; ariko ijambo rya Yezu riratomoye.

Nitwaba dushaka ko ubuzima butsinda urupfu kandi ko iteka ry'umuntu rizira akarenganyo ryubahirizwa, inzira ni iya Yezu : ijanye no guca mu makanda y'ubworo bwa Yezu mu gusangira ubuzima mu rukundo, mu kumanyura no mu gusangira umukate w'ubuzima nk'abavukanyi, duhereye kubo dukumira, abatagira ivya nkenerwa, kugirango twerekane ko tunganya iteka, kugira abakene baremururwe amagorwa, abatunzi nabo babohorwe umutima w'ubwishime, kuko bose bituma bihebura.

10. Igenekerezo rya 15 z'ukwezi kwa Rusama guheze, narashize mu Beranda Furera Karori Foucauld, umuntu yavutse ari umutunzi, yahevye vyose kugirango akurikire Yezu araheza ahinduka umworo nka Yezu, yigize umuvukanyi wa bose.

Ubuzima bwiwe bw'umuhangamana, ubwa mbere yabayemwo i Nazareth hanyuma mu bugaragwa bwa Sahara, mu gacerere, mu gusenga no mu gusabikanya ni akarorero k'ubworo bukristu.

Vyotubera vyo tuzirikanye aya majambo : ntitugasuzugure aboro, abantu batobato ; kubera atari abavukanyi bacu gusa mu Mana, ariko ni bo kandi bazi kwisunga neza Yezu mu biboneka mu buzima : baturangira Yezu uwo ari we, Umukozi w'i Nazareti. Ni bo mfura mubatowe, abambere bahamagawe mu bwami bw'umucunguzi.

Nibo bagendanyi bamanye na Yezu kuva akivuka gushika apfe. Tububahe, twubahe muri bo agashusho ka Yezu n'ak'abavyeyi biwe beranda [...]. Nidufate akaranga yafashe we nyene […].

Ntiduhengeshanye na rimwe kuba aboro muri vyose, abavukanyi b'aboro, abagenzi b'aboro, twicishe bugufi mu kwigira aboro nya boro nka yezu, kandi nka we tube abagenzi b'aboro, tubakunde twongere tubabe hafi»[1].

Mu ciyumviro ca Furera Karori, ntiyabaye amajambo gusa, ariko yabaye ingendo ifadika yafashe y'ubuzima imushikana k'ugusangira na Yezu ingabirano nyene y'ubuzima.

Twipfuza ko uwu musi mpuzamakungu w'aboro ugira 6 wotubera akaryo ko kugabana inema yodufasha kwisuzuma, kuri umwe umwe no ku muryango wose w'Ekleziya, turaba y'uko ubworo bwa Yezu ari ingendo yacu ya misi yose.

*Bigiriwe i Roma, i Laterano, kw' igenekerezo rya 13 Ruheshi umusi duhimbarizako Umweranda Antoni w'i Paduwa.*



***Abo ni bamwe mu boro b'abatamakazi baronse imfashanyo y'ibifungurwa n'impuzu ku munsi mpuzamakungu wabahariwe***

**Ndongozi y'Uburundi**

# Ihimbazwa ry'imyaka 60 umuryango w'Abaklarisi ushitse mu Burundi

Mu kigo c'ababikira biyugarana b'abaklarise bo muri paruwase Ngagara diyoseze nkuru ya Bujumbura, ku wa 8 Kigarama 2022 bari baramukanye urubanza rudasanzwe rw'aho bahimbaza imyaka 60 irangiye uwo muryango w'abo babikira ushitse aha mu Burundi.

Ni muri iyo nkuka y'imisa y'ivyo birori aho ababikira 7 bahimbaza yubile y'imyaka 25 irangiye biyeguriye Umukama.

*Abo nabo ni :*

- Lucia, Pacifica, Cecile, Emmanuelle, Daniella, Coletta na Claire Pascal,

Abagera kuri 7 nabo batura Imana indagano zabo za burundu.

*Abo nabo ni :*

- Marie Joseph, Aurea, Marie Gabriel, Marie Antoine, Claire Ancilla, Claire Agape, Marie Claire.

Ivyo birori bikaba vyari birongowe na Musenyeri Evaristo NGOYAGOYE yahoze ayoboye diyoseze nkuru ya Bujumbura ari kumwe na patiri mukuru wa paruwase Ngagara, abasaserdoti bahoze barangurira ubutumwa muri iyo paruwase.

Hari kandi n'umukuru w'uwo muryango aha mu Burundi akaba ari nawe yawuhatanguje, hamwe n'abakristu indiri bari baje kwifatanya n'izo ntore kuri uwo musi w'akanyamuneza.

Bahejeje kugiriranira ikiyago n'umwungere, abo



**Karara Mweranda** *yatanguje umuryango w'ababikira b'abaklarise*

babikira 7 baciye bashikiriza indagano zabo.

Inkuka y'imisa irangiye, naregereye mama Klara Pascal yari mu kanyamuneza ka yubile y'imyaka 25, aratubwira ubutumwa bw'umubikira w'umukrarise.

Kubwiwe ati : "Duhamagariwe gusenga cane no gushengerera Yezu Kristu m'Ukaristiya, gusengera Ekleziya hamwe n'imitwaro ya benewacu bo kw'isi yose, ivyo vyose tukabitwara mu gisabisho kugira umwe wese aze ashikire ubuhigwe buhoraho na twebwe tuba turiko turarondera".

Aboneraho gutera akamo abandi bigeme kuza muri uwo muryango kugira bafashanye gukutsa ikivi ca Yezu mu kumushengerera kenshi no gusabira abandi bavukanyi kugira bamwegere.

Mama Maria Antoine yari yagize indagano za burundu, nawe ashingira intahe Imana avuga ko iyo itaba yo, ataco bari kwishoboza na ririya ari ubutumwa butoroshe.

***Ubutumwa bwabo ni ubuhe?***

Nk'uko mama Klara yabituyagiye, ubutumwa bw'abo babikira ahanini bushimikira kugushengerera Yezu kenshi no gusenga. Ivyo bigafa umwanya mu nini nko kubice 90%.

***Muti uwo muryango watanguye ryari?***

Uwo muryango w'abaklarise wabayeho kuva mu mwaka w'1212, uvukira i Asize mu Butaliyano utanguzwa na Klara hamwe na Francisko w'i Asize beranda. *(Imyaka irenga 800 irarangiye)*

Washitse muri Afrika mu 1962, uca ushikira mu Burundi muri paruwase Ngagara, utanguzwa n'ababikira 3 aribo :

- Mama Maria Francoise *(yashegeye 2003)*

- Mama Maria Agnes *(yahengeye ku wa 2 Mukakaro 2012, igihe yari aje kwifatanya n'abo babikira b'abaklarise bo mu Ngagara mw'ihimbazwa rya yubile y'imyaka 50 yari itegekanijwe ku wa 11 Myandagaro 2012, akaba yaciye ashingurwa aho nyene muri ico kigo).* Abo 2, bari ababiligi.

- Mama Maria Karara *(umurundikazi ariwe asigaye, ubu akaba ari mu myaka irenga 80 y'amavuka)*

Muri rusangi, uwo muryango w'abaklarise naho umaze gushika mu bihugu bitari bike, urimwo ababikira 32 gusa b'abarundikazi mu myaka 60 iheze ushitse mu Burundi.

Ivyo bikumvikana rero ko ivyimburwa ari vyinshi, abakozi bakaba bake.

Tubamenyeshe ko aha kumugabane wa Afrika, ariho uwo muryango uriko uratsimbatara kuko umaze gushika mu bihugu nka vyose.

Aha mu Burundi, uwo muryango w'ababikira ukaba uri aho muri paruwase Ngagara gusa diyoseze nkuru ya Bujumbura mu madiyoseze 8 agize Ekleziya y'i Burundi.

**Chanel HARINGANJI**

# Imyaka 25 irarumanye mu Burundi hatanguye ubutumwa bwa Bikira Mariya agendera ingo

Impundu y'urweze yaraye isamiranye ku bakunzi b'Umuvyeyi Bikira Mariya, cane cane abari mu butumwa bwa Bikira Mariya agendera ingo. Hari ku wa 4 Kigarama 2022 ku musozi wa Siyoni Gikungu ahahimbarijwe Yubile y'imyaka 25 ubwo butumwa butanguye mu Burundi.



Ku gasengero ka Bikira Mariya i Gikungu, uwo musi hahimbarijwe imisi mikuru ibiri: ihimbazwa icese ry'umusi mukuru w'isamwa ata gicumuro rya Bikira Mariya, umusi usanzwe uhimbazwa ku wa 8 Kigarama uko umwaka utashe, hamwe n'uguhimbaza Yubile y'imyaka 25 ubutumwa bwa Bikira Mariya agendera ingo butanguye mu Burundi.

**Bikira Mariya ni umuhora w'inema**

Inkuka ya misa y'urwo rubanza yari irongowe na Musenyeri Anatole Ruberinyange icariho gikuru c'Umwepiskopi mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura.



Mw'ijambo ry'ikaze yashikirije, yabukije abakristu kwamiza ku muzirikanye inkingi z'ukwemera kwabo.

Ati: «Ntihagire ababahenda ngo babahuvye. Bikira Mariya ni umuhora w'inema». Musenyeri Anatole Ruberinyange yaribukije abari ngaho n'ayandi mateka menshi Bikira Mariya yatewe.

Yagarutse cane cane ku nyigisho z'Abungere b'Ekleziya nka Papa Piyo w'IX aho yatangaje icese ko Bikira Mariya ari Uwasamwe ata gicumuro (Biri mw'ikete uwo mu Papa yasohoye ku wa 8 Kigarama 1854).

Haciye imyaka ine, Bikira Mariya yabonekeye Bernadeta Soubirou i Lourde mu Bufaransa ku wa 25 Ntwarante 1858, araheza amuhishurira ko ari Uwasamwe ata gicumuro gurtyo aba arashimangiye ya nyigisho ya Papa Piyo w'IX.

Musenyeri Anatole yasozereye inyigisho aremesha abatumwa ba Bikira Mariya agendera ingo, y'uko bahisemwo inzira nziza. Yongera abakeza kuri iyo Yubile y'imyaka 25 uwo muvyeyi atugendera, aturamutsa kandi adusabira imigisha.

**Ubwo butumwa bwarashinze imizi mu Burundi**



Mama Mariya Claudine Niyuhire akurikirana ubutumwa bw'isanamu ya Bikira Mariya agendera ingo arashimishwa n'intambwe ubwo butumwa bugezeko.

Ati: «Mu myaka 25, ubwo butumwa burarangurwa mu madiyoseze 7 ku madiyoseze 8 agize Ekleziya y'i Burundi». Kubw'uwo mubikira, iyo ntambwe ngo irashimishije. Ariko icifuzo cabo ngo ni uko mu myaka 25 iri imbere ubwo butumwa bwokwira mu duce twose tugize igihugu cacu, mbere bugatsimbatara no mu bihugu bibanyi no muri Afrika yose.

**Akamaro k'ubwo butumwa**

Mama Mariya Claudine avuga ko kwakira isanamu ya Bikira Mariya agendera ingo ari ikimenyetso co kwakira uwo muvyeyi muri urwo rugo. Ati: «Uwakiriye Bikira Mariya iwe, aba ahisemwo igisumba ikindi. Uwo muvyeyi araheza agasabira uwo muryango kumwe yasabira abo mu bugeni bw'i Kana mu Bugalile.»

Bamwe mu miryango yakira isanamu ya Bikira Mariya agendera ingo barashinga intahe y'akamaro k'ubwo butumwa. Nshimirimana Marie Thérèse aremeza ko kuva batanguye kwakira isanamu ya Bikira Mariya agendera ingo, umuryango wiwe umaze kuhagabanira ivyiza vyinshi cane. Ngo ntibama borohewe, ariko no mu bibagora baguma baremye.

Umushingantahe Ntabiriho Jean Christian nawe, ubwo butumwa ngo bwarafashije cane umuryango wiwe cane cane mu ndero y'abana. Ati: «Ubu abana barakunda igisabisho cane cane irozari. Iyo isanamu yatugendeye naho, baba bazi ko dufise umushitsi w'iteka mu nzu yacu.

*Mélance Ndayikeze*

# Ishirahamwe ry'abakenyezi b'ababamenyeshamakuru AFJO ku neza y'abakozi n'akazi ko kumenyesha amakuru

Haraciye imyaka ishika 3 ishirahamwe AFJO ririko riradoma urutoke ku nyifato zimwe zimwe zishobora guhungabanya akazi canke zikagatosekaza. Ivyashizwe imbere ni inyifato za bamwe bamwe ku kazi zishikana ku gukwegakwegera uwundi mubushurashuzi ivyo bita ***«Harcèlement sexuel»*** mu rurimi rw'igifransa.

Ikintu cose rero umuntu akorerwa adashaka, kimubera kibi kikamuhungabanya kandi kikamubuza ico yokwimariye. Amategeko mpuzamakungu n'ayigihugu nayo asanzwe adoma urutoke kuri ivyo vyose vyaka iteka uwundi canke bakamutoteza. Aho niho iryo shirahamwe rifatira. Abarundi bose rero baranganya iteka n'ivyo bakwiye kuronka. Abenegihugu bo-se baranganya agateka kandi amabwirizwa abakingira kumwe.

Nta murundi n'umwe azokumirwa mu vyerekeye ubutunzi, imibano canke intwaro y'igihugu kubera ibara ry'urukoba rwiwe, ururimi, igitsina canke ubwoko bwiwe, ivyo tubisanga mw'Ibwirizwa Shingiro mu ngingo ya 13.

Bisigura ko abakenyezi bafise uburenganzira co kimwe n'abagabo ata gucagura.

Uburengazira bw'abakenyezi butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu cUburundi atandukanye.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira**

Uburenganzira bw'abakenyezi butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye :

* Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

* Amasezerano yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye politike,

* Amasezerano mpuzamakungu yo kurwanya ivyo vyose bikumira umukenyezi hamwe

* N'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'akabenegihugu

Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu ivuga ko umuntu wese afise uruhara mw'itunganywa ry'ivy'igihugu ciwe, akabigira yiserukiye we nyene ubwiwe canke abicishije ku bamuserukira batowe ata gahato.

Umuntu wese arashobora, hatarabwe nkunzi, gushingwa amabanga, mu ntwaro y'igihugu ciwe.

Abantu bose bakora akazi kamwe bategerezwa kuronka agahembo kangana ata gucagura.

Ingingo ya 3 y'amasezerano yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye politike ivuga ko ibihugu vyemeje aya masezerano bikora uko bishoboye kose kugira abantu bose, abagabo n'abagore, bagire uburenganzira bumwe mu vy'intwaro na politike nk'uko aya masezerano abitegekanya.

Amasezerano mpuzamakungu yo kurwanya ivyo vyose bikumira umukenyezi i-vuga ko ibihugu vyemeje aya masezerano bifata ingingo zose zibereye harimwo n'amabwirizwa, haba mu vy'intwaro, imibano, ubutunzi, akaranga, kugira ngo iterambere nyakuri ry'abakenyezi ryiyongere babonereho kwubahiriza mu gateka kabo no mu bwigenge bwabo nk'uko bigirirwa abagabo.

Ibihugu vyemeje aya masezerano bifata ingingo zose zikenewe kugira ngo haranduranwe n'imizi ikumirwa ry'umukenyezi mu vy'intwaro no mu buzima bw'igihugu bikanamuha uburenganzira bungana n'ubw'umugabo mu vyerekeye :

- Gutora no gushobora gutorwa mu nzego zose zikeneye amatora ;

- Gufadikanya n'abandi mu gushinga no kurangura imigambi ijanye n'intwaro y'igihugu, no gushobora gushingwa amabanga ayo ari yo yose mu nzego z'igihugu;
- Kuja mu mashirahamwe ategamiye Reta ariko akaba afise ico avuga ku vyerekeye ubuzima n'intwaro vy'igihugu.

Ibihugu vyemeje aya masezerano bifata ingingo zose zibereye kugira ngo umukenyezi co kimwe n'umugabo ntakumirwe mu mabanga yo guserukira igihugu ciwe mu makungu no gushingwa amabanga mu mashirahamwe mpuzamakungu.

Ibihugu vyemeje aya masezerano bifata ingingo zose zikenewe kugira haranduranwe n'imizi ikumirwa ry'umukenyezi, aterwe agateka gaterwa abagabo mu vyerekeye akazi, na cane cane :

a) Uburenganzira bwo kuronka ibikorwa nk'uko bisanzwe biri mu mateka n'amategeko yubahiriza zina muntu wese ;

b) Uburenganzira bwo kunganya uburyo mu kazi hagakurikizwa ingingo zimwe kuri bose mu kugatanga.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko ibihugu vyiyemeza kandi kurandurana n'imizi akarenganyo gakorerwa umukenyezi kubera ari mu karuhuko igihe yibungenze canke yibarutse.

*Mélance Ndayikeze*

# Kurwanya amabi afatiye ku gitsina ni igikorwa c'umurundi wese

Mu ntumbero yo kurwanya amabi afatiye ku gitsina, ku wa 30 Munyonyo 2022 ikigo Seruka caratunganije ikiganiro ku banditsi n'abamenyeshamakuru kugira ngo berekane ingene ayo mabi agishibije mu Burundi. Ni mu ntumbero y'isekeza mpuzamakungu ry'imisi 16 yo kurwanya ayo mabi.

Isekeza ry'imisi 16 mu kurwanya amabi akorerwa abakenyezi ni isekeza mpuzamakungu ryatanguye mu 1991. Ryama ritangura kw'igenekerezo rya 25 Munyonyo, umusi mpuzamakungu wahariwe kurwanya amabi akorerwa abakenyezi, rigasozerwa ku wa 10 Kigarama, umusi mpuzamakungu wahariwe agateka ka zina muntu.

Ivyo biba gutyo kugira ngo ku ruhande rumwe berekane isano riri hagati y'amabi akorerwa abakenyezi n'amategeko akingira kiremwa muntu, bongere berekane ku rundi ruhande ko ayo mabi ari mw'ihonyangwa ry'amategeko agenga agateka ka zina muntu.

Ku mwaka ku mwaka, Uburundi burifadikanya n'ibindi bihugu vyo kw'isi kugira ngo butunganye iryo sekeza. Muri ryo, abaharanira agateka k'abakenyezi bose, yaba amashirahamwe adaharanira inyungu za politike canke inzego za Reta muri ico gisata, barashira hamwe inguvu kugira ngo iryo sekeza ribe akaryo nyako ko kuvunira akagohe abantu ku mabi aborerwa abigeme n'abakenyezi.

Muri uno mwaka, icivugo mpuzamakungu catowe ni *«Tugire urunani, turandurane n'imizi amabi akorerwa abakenyezi n'abigeme»*.

Ikigo Seruka, kimwe mu bigo vyakira bikongera bigaherekeza abagakorewe amabi afatiye ku gitsina, carifadikanije n'Uburundi n'amakungu muri iryo sekeza. Mu myaka 19 iheze, ico kigo kirahimbawe n'intererano yaco mu gukinga no kurwanya amabi afatiye ku gitsina no gufatwa ku ngwuvu.

Ariko, naho intererano yaco idasanzwe, amabi afatiye ku gitsina no gufatwa ku nguvu mu Burundi aracibonekeza. Nk'uko bishikirizwa n'abarongoye ico kigo, ngo mu gikorwa co gukinga no gufasha abakorewe amabi afatiye ku gitsina, ikigo Sreruka gihura n'intambamyi nyinshi. Izo ntambamyi zifatiye cane cane ku mico n'imigenzo y'abarundi aho umuntu yakorewe ayo mabi umengo yabaye igicibwa mu bandi.

Izindi ntambamyi zifatiye ku gutinya gutotezwa n'abakora ayo mabi. Iyo uwayakorewe abishize ahabona, uwayakoze arashobora kumugirira nabi canke kumutera ubwoba. Ahandi naho uwakoze ayo mabi haraho ashaka guhendahenda uwayakorewe kugira ngo ntamushengeze, bagashaka kubihereza mu mwumvikano. Iyo ni intambamyi ituma abakora ayo mabi badahanwa kandi bataniheba.

**Ikigo Seruka carateye intambwe cane**

Mu myaka 19 kimaze, ikigo Seruka carateye intambwe zitatu nyamukuru:

Kuva mu 2003 gushika mu 2008, ikigo Seruka cari ikigo c'abaganga batagira imbibe b'Ububirigi (centre de Médecins Sans Frontières/Belgique) gifise intumbero yo gufasha abafashwe ku nguvu mu bijanye n'amagara yabo.

Kuva itariki 1 Ndamukiza 2009, ikigo Seruka cahagaritse kuba ikigo c'abaganga batagira imbibe b'Ububirigi, kiba «Umugambi Seruka ku kubafashwe ku nguvu». Muri ico gihe, ikigo Seruka cakora nk'ishirahamwe ridaharanira inyungu za Politike. Kuva kuri iryo genekerezo, ikigo Seruka caciye gitangura gufatwa mu mugongo n'abagenzi baco muvy'uburyo n'ubuhinga.

Kuva mu 2011 gushika ubu, ikigo Seruka carongeyemwo ibikorwa vyo gukinga no gufasha abakorewe ayandi mabi afatiye ku gitsina. Ntikicitaho gusa abafashwe ku nguvu. Ubu, ibikorwa vyo kumviriza no gufasha abafashwe ku nguvu n'abakorewe ayandi mabi afatiye ku gitsina vyaratangujwe vyongera biratsimbatara mu ntara zitatu z'igihugu arizo Cibitoke, Muramvya n'Igisagara ca Bujumbura.

Naho rero tubona ibitigiri vy'abakorerwa amabi afatiye ku gitsina bikiri vyinshi (ibiharuro vyerekana ko abashika 100 ku kwezi bitura ikigo Seruka), biraboneka ko ico kigo mu myaka 19 kimaze cashoboye guhindura mu mitwe y'abarundi ingene bahora babona canke biyumvira ibijanye n'amabi afatiye ku gitsina. Hambavu yo guhindura indabo n'intumbero y'ayo mabi, ico kigo carafashije abatari bake bacituye.

Kuva gishingwa mu 2003 gushika mu mpera za Gitugutu 2022, abantu bashika 24 850 bararonse ubufasha bongera barakurikiranwa n'ico kigo ku cicaro caco gikuru i Bujumbura.

Tubamenyesha ko ikigo Seruka gushika ubu gifise umuganga yakira akongera agafasha abafashwe ku nguvu muvyo bakeneye. Aha twovuga nk'imiti ikingi kwandura indwara zifatira mu bihimba vy'irondoka hamwe no kubakorera ibipimo n'ivyegeranyo bakeneye.

Ico kigo nyene kirafise igisata c'abanonosoye ivyo kumviriza no kuremurura imitwaro. Ico gisata naco kirakira abakorewe amabi afatiye ku gitsina, bakaremeshwa bagahambwa n'impanuro zikenewe z'ingene bokwifata mu kibona, bamwe bamwe bose bivanye n'ibiba vyabashikiye.

Hari kandi n'igisata c'abanonosoye amategeko arinabo baheza bagafasha abakorewe ayo mabi mubijanye no kwitura ubutungane kugira ngo abayakoze bashengezwe, abayakorewe nabo bashumbushwe.

*Mélance Ndayikeze*

# Amabi akorerwa abakenyezi n'ingene twoyagwanya

Amabi akorerwa abakenyezi tugerageje gutanga insiguro yayo, dusanga ari ivyo vyose bikorerwa umukenyezi bene kubikora bakitwaza ngo abantu b'igitsinagabo n'ab'igitsinagore ntibangana mu bushobozi, bigahonyanga agateka kiwe bigaheza bikaba intambamyi mw'iterambere ryiwe, iry'umuryango n'iry'igihugu.

**I. Amabi akorerwa abakenyezi ayo ari yo**

Amabi akorerwarwa abakenyezi tuyasanga ari mu mirwi 4 :

* Amabi afatiye ku gufatwa ku nguvu,

*Amabi afatiye ku gusinzikarizwa umubiri,

* Amabi afatiye ku gutuntuzwa,

*Amabi afatiye kw'ikumirwa mu vy'imibano n'ubutunzi.

Ingene umurwi umwe umwe w'ayo mabi umeze**:**

**1. Amabi afatiye ku gufatwa ku nguvu**

Amabi afatiye kugufata ku nguvu, ni ugushaka canke uguhuza ibitsina bidasa ku nguvu. N'ugushika kuri ico kintu ari uko habanje gukoreshwa inguvu.

Gufata ku nguvu biri ubwoko butandukanye :

* hariho guhuza igitsina n'ico uwundi muntu atabishaka ariko habanje gukorereshwa inguvu,

* gukora ku bibero, ku mabere no ku bihimba vy'irondoka vy'umwigeme canke umukenyezi atabishaka,

* hariho abagoka ku bana babo mu kugira amabanga mpuza bitsina canke abana usanga bagirirwa amabanga mpuzabitsina n'ababareze,
* abigeme bakwegerwa mu bushurashuzi, abakenyezi bakubagurwa n'abo bubakanye mu gihe bariko bararangura amabanga y'abubatse,


* kurenga ibigo ari kwo guhemukira uwo mwubakanye mu kuja gushurashurana n'abandi bakobwa canke abagore,

* kugira urudandazwa rw'abana b'abigeme ku bantu atawundi mugambi babafiseko atari ukubakoresha mu bushurashuzi,

* abana b'abigeme barungikwa kwubaka ku nguvu batarakwiza imyaka isabwa n'amategeko.

Ibi tubisanga mu gace " f " k'ingingo ya 2 y'Ibwirizwa n° 1/013 ryo ku wa 22 nyakanga 2016 ryerekeye kurwanya amabi afatiye ku gitsina no gukingira abayakorewe.

Abana barungikwa kwubaka izabo batarakwiza imyaka, bikunda kugirwa n'abavyeyi babo canke abari mu kibanza c'abavyeyi, kenshi na kenshi bikava kuguhahamira amaronko.



Ku bisanzwe imyaka yemewe n'amategeko mu Burundi kugira umwana w'umwigeme yemererwe kuja kwubaka urwiwe ni 18.

Tubisanga mu ngingo ya 88 y'igitabo c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi.

**2. Amabi afatiye ku gusinzikarizwa umubiri**

Aya mabi yerekeye kubabazwa ku mubiri nko gukubitwa, guturizwa itabi, ipasi gushikurwa imishatsi, gukomeretswa, kubohwa, gukebwa n'imbugita canke gusukwako ibintu birimwo ubumara.

Muri make ni kugirirwa nabi ku mubiri hakoreshejwe inguvu mu ntumbro yo kubabaza umubiri canke kuwukomeretsa.

Ivyo tubisanga mu gace ka " x " (lettre) k'ingingo ya 2 y'Ibwirizwa no 1/013 ryo ku wa 22 nyakanga 2016 ryerekeye kurwanya amabi afatiye ku gitsina no gukingira abayakorewe.

Tumenye ko iyo umukenyezi akorerwa amabi afatiye ku gusinzikarizwa umubiri, aba ari uguhonyanga agateka ka zina muntu nk'uko tubisanga mw'itangazo mpuzamakungu ryubahiriza agateka ka zina

Ibikur. urup. 11

# Amabi akorerwa abakenyezi n'ingene twoyagwanya

(Bitangurira ku rup.10)
muntu kuva ku ngingo ya mbere gushika ku ngingo ya 21, aho batubwira ko "umuntu uwo ariwe wese afise uburenganzira bwo kubaho n'ukwishira akizana mu buzima, kutagirwa umushumba, kudacurwa bufuni na buhoro n'ugufatwa bunyamanswa mu buryo businzikaza kandi bugatesha agaciro umuntu.

Ntitwokwibagira kandi ko hariho abagize umugenzo gusinzikaza ubuzima bw'abakenyezi nk'akarorero abagabo bakubita abagore babo, bakibagira ko ari icaha gihanwa nk'ibindi vyose nk'uko tubisanga mu kigabane ca 8, ingingo y'558 y'igitabo c'amategeko mpanavyaha mu Burundi.

**3. Amabi afatiye ku gutuntuzwa umutima**

Amabi afatiye ku gutuntuza umutima ni amabi akorerwa umukenyezi amutesha agaciro, ahanini akaba ava

- ku bitutsi atukwa canke amajambo y'akagaye n'agasuzuguro abwirwa,
- ikumirwa canke iterabwoba agirirwa,
- kutamuha icubahiro ndetse no kugira ukwishira no kwizana guke.

Tubisanga mu gace " t " k'ingingo ya 2 y'Ibwirizwa no 1/013 ryo ku wa 22 nyakanga 2016 ryerekeye kurwanya amabi afatiye ku gitsina no gukingira abayakorewe. Iri tuntuzwa ku mutima ry'umukenyezi rishobora gutuma ahahamuka bijanye n'uko usanga afashwe nabi kandi agakubitwa kenshi. Ivyo bigatuma abona uwubimugirira canke uwusa nawe ng'igikoko.

Ikumirwa ry'umukenyezi riteye kubiri n'ingingo ya 15 y'ikigabane ca 4 dusanga mu masezerano mpuzamakungu yo kurwanya ivyo vyose bikumira umukenyezi yemeza ko abantu bose bangana imbera y'amategeko kandi bakanganya n'icubahiro, ko gukumira umukenyezi bituma atagira uruhara rungana n'urw'umugabo mu buzima bw'igihugu habamu vya politique, mu vy'imibano, mu vy'ubutunzi n'akaranga, bigatuma umukenyezi atiyunguruza ngo yungure umuryango wiwe n'igihugu bikaba intambamyi mw' iterambere ryiwe.

**4. Amabi afatiye ku mibano n'ubutunzi**

Aya mabi afatiye ku mibano n'ubutunzi, atwereka neza ingene umukenyezi akumirwa mu vyerekeye uburyo n'amatungo vy'umuryango, aho usanga umugabo ariwe afise ububasha bwo kugenzura ivyo mu rugo vyose.

Tubisanga mu gace s k'ingingo ya 2 y'Ibwirizwa n° 1/013 ryo ku wa 22 nyakanga 2016 ryerekeye kurwanya amabi afatiye ku gitsina no gukingira abayakorewe.

Ibi dusanga kandi biciye kubiri n'ingingo ya 3 y'amasezerano mpuzamakungu yo kurwanya ivyo vyose bikumira umukenyezi ivuga ko umugabo n'umukenyezi bafise uburenganzira bungana mu biraba ubutunzi, imibano n'imico kama.

Tubisanga kandi mu gitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi mu ngingo y'126 ivuga ko abubakanye batavyumvikanye ata numwe muri bo afise uruhusha rwo kudandaza canke kurwatiriza ico mu rugo.

Ivyo duhejeje kudondagura ahanini biva ku bukene aho umukenyezi yama azeye inze mu vy'ubutunzi, aho azera uburaro n'uburamuko ku mugabo wiwe.

Birava kandi n'ukutamenya amategeko canke naho bokorerwa ayo mabi bakaguma banumye ngo kwoba kwiteza isoni.

Ariko rero ntawoca arera amaboko ni ukuraba icokorwa kugira turandurane n'imizi ayo mabi akorerwa abakenyezi.

**II. Ingene tworwanya amabi akorerwa abakenyezi**

Hokorwa ibishoboka vyose kugira ngo uburenganzira ku nyigisho mu mashure bwubahirizwe ku rugero rumwe ku bana b'ababahungu no ku bana b'ababakobwa.

Tubisanga mu gace ka 2 k'ingingo y' 9 y'Ibwirizwa n° 1/013 ryo ku wa 22 nyakanga 2016 ryerekeye kurwanya amabi afatiye ku gitsina no gukingira abayakorewe.

Nk'uko ingingo y'8 ya rino bwirizwa ibivuga, abavyeyi b'umwana canke abari mu kibanza c'abavyeyi mu gihe abavyeyi batakiriho canke batswe ububasha ku mwana, bategerezwa gufata ku rugero rumwe abana b'abahungu n'abana b'abigeme, kugira ngo bamaze gukura bame babona ko abana b'abahungu n'abana babigeme bangana.

Mu gusozera, twomenya ko dufatiye kuri ca civugo gihayagiza abakenyezi kivuga ko umukenyezi ari inkingi y'umuryango, akaba n'inkingi y'iterambere rirama, nta kazoza imiryango yoba ifise mu gihe hoguma hibonekeza ayo mabi duhejeje kudondagura.

Nk'uko abarundi bayamaze ngo imiti ikora ikoranye, biragaragara neza ko twese hamwe dutegerezwa kuvira hasi rimwe tukarwanya bimwe bibonekа inkomoko iy'ariyo yose y'amabi akorerwa abakenyezi, kuko ayo mabi ni umwansi w'iterambere ry'ingo, imiryango n'igihugu.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Nyenubweranda Papa Fransisiko yimirije kuja mu bihugu vya Republika Demokrasi ya Congo na Sudani y'Ubumanuko.

Ku wa 1 Kigarama 2022, umuyobozi w'ikigo kijejwe kumenyesha amakuru i Vatikano kwa Papa yaramenyesheje ko Nyenubweranda Papa Fransisiko yimirije kugira urugendo rugira 40 mu bihugu bibiri vyo ku mugabane wa Afrika: Republika iharanira Demokrasi ya Congo na Sudani y'Ubumanuko.



Ivyo bihugu akazobigendera kuva ku wa 31 Nzero gushika ku wa 5 Ruhuhuma 2023. Bitegekanijwe ko Papa Fransisiko azova i Roma agana i Kinshasa ku wa 31 Nzero.

***Muti urwo rugendo rutunganijwe gute mu gihugu ca Republika Demokrasi ya Congo?***

Agishika mu gihugu ca Republika iharanira Demokrasi ya Congo, inyuma y'umubonano azogiriranira n'umukuru w'igihugu Prezida Tshisekedi, Papa azoca ahura n'abategetsi bo muri ico gihugu, abaserukira amashirahamwe ategamiye Reta hamwe n'abaserukira ibihugu vyabo muri Congo; abashikirize ijambo bateguriwe.



Bukeye bwaho ku wa 1 Ruhuhuma 2023 mu gatondo, azohereza inkuka ya misa ku kibuga c'indege citwa Ndolo.

Inyuma y'umuhingamo, azoha umubonano yongere ashikirize ijambo abahohotewe n'imidugararo iri mu buseruko bw'ico gihugu.

Ku 2 Ruhuhuma 2023, Papa Frasinsiko azobonana n'urwaruka n'abamenyeshamana ku kibuga citiriwe abamaratiri.

Inyuma y'umuhingamo mw'isengero nkuru yitiriwe Umugabekazi wa Congo azosangira igisabisho n'abasaseredoti, abihebeyimana n'abaseminari. Inyuma yaho azoha ikiganiro mu kanywababo n'abajezuwiti bo muri Congo.

Ku wa 3 Ruhuhuma 2023, imbere yuko arangiza urwo rugendo muri Congo, azoha umubonano Abepisikopi ku cicaro c'inama y'Abepisikopi i Kinshasa. Ace afata indege agana i Djouba , umurwa mukuru wa Sudani y'Ubumanuko.

***Muti mu gihugu ca Sudani y'Ubumanuko ho urwo rugendo rutunganijwe gute?***

Inyuma y'umuhingamo, Papa Fransisiko azoha umubonano umukuru w'igihugu ca Sudani yongere abonane n'abategetsi, abaserukira amashirahamwe ategamiye Reta n'abaserukira ibihugu vyabo ngaho muri Sudani y'Ubumanuko.

Ku wa 4 Ruhuhuma mu gatondo, Papa azovugana n'Abepisikopi, abasaseredoti, abadiyakoni , abihebeyimana n'abaseminari mw'isengero nkuru yitiriwe Tereziya mweranda.

Inyuma yaho azoca aha umubonano aba Jezuwiti bo muri ico gihugu.

Inyuma y'umuhingamo, azoshikiriza ijambo impuzi ziri hagati muri ico gihugu aca aja kwifatanya n'abandi mu gisabisho c'ubumwe bw'abemera Yezu Kristu mu kibanza citiriwe John Garang.

Imbere yuko afata indege i musubiza i Roma, azohereza inkuka ya misa azohererezа mu kibanza citiriwe John Garang.

***Kubera iki Papa Fransisiko azogendera ivyo bihugu?***

Muri gihugu Congo Kinshasa, Nyenubweranda Papa Fransisko azoba aje kwishura ku butumire bw' umukuru w'igihugu Tshisekedi n'Abepisikopi baho bashikirije Nyenubweranda, no gukomeza ukwemera kw'abakristu baho yongere abakaburire umutima wo kwizigira kuko igihugu c'Imana caho kinyotewe amahoro, umutekano no kubaho neza.

Muri Ndamukiza 2021, Karadinali Fridolin Ambango Besungu n'Inama y'Abepisikopi barateye akamo biyamiriza uguhohoterwa n'ubwicanyi bwabera mu Buseruko bw'ico gihugu.

Bukaba bwarahitanye uwihebeyimana n'abandi bantu benshi atabirwanisho bitwaje.

Ku wa 22 Rusama 2021, ikirunga Nyamuragira carahitanye ibintu n'abantu gituma abantu bahegereye baja mu ngorane.

Nyenubweranda akaba yipfuza kubaramutsa a-baremesha ngo bagarukane umwizero.

Tubibutse ko muri Congo Umweranda Papa Yoha-ni Pawulo wa II yahagendeye incuro zibiri mu mwaka w'1980 no 1985. Papa Fransisiko azohonyora mu makanda yiwe.

Muri Sudani y'Ubumanuko, baronse ukwikukira muri 2011, muri 2013 haca haba indwano yatumye haba impunzi nyinshi hagati mu gihugu n'ubukene butavugwa.

Papa akazoba agiye kuremesha ico gihugu c'Imana cugarijwe n'umubabaro uturuka ku ndwano.

Tubibutse ko kuri Noheri ya 2021, Papa Fransisiko yarasabiye igihugu c'Imana co muri Sudani y'Ubumanuko ngo Umwami w'amahoro ahoze benewacu na basazabacu bababajwe n'indyane hagati yabasangiye igihugu.

Tukabibutse kandi ko muri ico gihugu havukiye umweranda Josephine Bakhita Ekleziya iduha guhimbaza ku wa 8 Ruhuhuma. Josephine Bahkita akaba yashizwe mu beranda n'umweranda Yohani Pawulo wa kabiri mu mwaka wi 2000. Akaba yabaye umweranda wa mbere muri ico gihugu.

**MSV M. Goreth Ndikumana**